# ALL NATIONS GOSPEL PUBLISHERS



Copyright ANGP

www.angp-hb.co.za

info@angp.co.za

# UMUTIMA

# W'UMUNTU

Copyright ANGP

**COPYRIGHT**
ISBN 0 - 947052 - 41 - 0

E-MAIL: info@angp.co.za

**ALL NATIONS GOSPEL PUBLISHERS**
P.O. Box 2191, PRETORIA, 0001, R.S.A.
(Une Mission de littérature évangélique financée de dons)
(Reg. No. 1961/001798/08)

# Umutima w'Umuntu

**Urusengero rw'Imana cank' aho Satani yiganziye.**
**1 Yoh. 3:4-10.**

Iki gitabo si gishasha. Cabanje kuboneka mu Bufaransa, ubu hashize imyaka 200. Kiramaze kuzana umuco n'umugisha mwinshi ku bantu ibihumbi. Cabaye nk'icirore c'ivy' umutima ngw abagabo n'abagore bashobore kwirabiramwo nk'ukw Imana ibaraba. Benshi babonye imitima yabo yuzuye ivyaha barihana baronka umutima musha.

Ugisoma iki gitabo, ni wibuke kw ar' icirore c'umutima, urashobora gusoma no kwiraba uk' umeze. Nah' ur' umupagani, cank' ur' Umukristo cank' ur' uwasubiye inyuma, uzobona igishushanyo c'uk' umeze mu maso y'Imana. Imana ntirobanura abantu ku butoni. Iraraba umutima w'umuntu, ntiraba mu maso hiwe cank' urusato rwiwe.

Copyright ANGP

Satani ni se w'abanyabinyoma bose, n'umutware w'umwiza, n'imana y'iyi si. Yihindura umumarayika w'umuco, yamara ntakir' umumarayika w'umuco nk'uko benshi bakunda kumwerekana. Abo ntibakunda kubona igishushanyo cerekana Satani ukw ameze vy' ukuri. Ni nka kera, n'ubu har' abigisha b'ibinyoma n'abakozi b'abahendanyi, bigira abigisha ba Kristo; kand' ico s'igitangaza kuko Satani ubgiwe yihindura umumarayika w'umuco. 2 Ab'i Kor. 11:13,14. Satani arahumisha amaso n'ubgenge vy'abantu ngo ntibashobore kubona urukundo rw'Imana n'ubgiza n'ubukuru bgayo, ngo kandi ntibabone Umukiza wabo Yesu Kristo. 2 Ab'i Kor. 4:4. Abantu bahumishijwe n'imana y'iyi si ntibashobora kubona ko biruka n'ingoga batumbereye amahonero adashira, n'umuriro udashira. Bapfuye ku Mana baganzwa n'umwami w'abaganza ikirere. Abanyefeso 2:2.

"Ico n'ico catumye Umwana w'Imana ahishurwa, n'ukugira ngw asangangure ibikorwa vy'Umurwanizi." 1 Yoh. 3:8. "Nuko mugandukire Imana, ariko murwanye wa Murwanizi, na we

azobahunga. Mwiyegereze Imana, na yo izobegera." Yakobo 4:7,8.

Ugisoma iki gitabo, ukiraba ibishushanyo vyo muri co, urashobora kuraba mu mutima wawe. Wemere kwihweza umutima wawe no kuraba uk' umeze vy'ukuri. Ni wasanga umutima wawe ari mubi wuzuye ivyaha, ntubihakane ntubihishe, arik' uvyemere wihane ivyaha vyawe. "Tuvuze yukw ata caha dufise, tuba twizimiza, ukuri ntikuba kuri muri twebge. Ni twatura ivyaha vyacu, ni yo yo kwizigirwa kand' igororoka, ivyo ni vyo bituma iduharira ivyaha vyacu, ikatwoza ukugabitanya kwose. Tuvuze yukw ata caha twakoze, tuba tuyigize umubeshi, kandi n'ijambo ryayo riba ritari muri twebge." 1 Yoh. 1:8-10. Mwicishije bugufi muri musi y'ukuboko kw'ubushobozi kw'Imana, kugira ngw iguharire ivyaha vyawe ikwogeshe amaraso ya Yesu Kristo y'igiciro.

Uraganzwa n'Imana cank' uraganzwa na Satani. Ur' umugurano w'icaha cank' ur' umushumba w'Imana. Asangw' icaha ari co kiganza mu bugingo bgawe ntubihakane. Upfume utakira Imana ngw ikubohore kubga Yesu Kristo, yaje mw isi gukiza abanyavyaha, no guhumura amaso y'impumyi, ngw adukure mu mwiza no gukura umwiza muri twebge. Yaje kudushikana mu muco wiwe utangaje. Yesu yaje kudukura mu bushobozi bg'icaha n'ubga Satani. Kubgiwe turacungurwa ivyaha vyacu. Urahagaze imbere y'Imana yera ibona ivyawe vyose, irazi amabanga yawe yose n'ibikorwa bihishijwe vyose. Ntushobora kwihisha canke guhisha ibikorwa vyawe ngw Imana ntibibone. "Iyabaditseh' ugutwi, yobura kwumva? Iyabumvye ijisho, yobura kubona?" Zaburi 94:9. "Kukw inyonga zayo ziri ku nzira z'umuntu, kandi yitegereza urugendo rwiwe rwose, nta mwiza cank' igitutu c'urupfu ah'abakora ivy' ukugabitanya boshobora kwinyegeza." Yobu 34:21-22. "Inyonga z'Uhoraho zinyuranganya mw isi yose hirya no hino, kugira ngo yerekane kw ar' umunyabushobozi wo gutabara abafise imitima imutunganiye." 2 Ivyo ku Ngoma 16:9; Yohana 2:24.

"Hahirwa uwahariwe ugucumura kwiwe, icaha ciwe kigatwikir-

Copyright ANGP

wa. Hahirwa umuntu Uhoraho adaharurako kugabitanya, umutima wiwe ntubemw' ubugunge." Zaburi 32:1-2. Soma kandi Zaburi 51. Yesu aracahamagara uyu musi, ati Ni muze kuri jewe mwese abananiwe n'abaremerewe, ndabaruhura. Matayo 11:28-30.

## IGISHUSHANYO CA MBERE

Iki gishushanyo cerekana umutima w'umunyavyaha, umupagani atumbera ivy' isi, umugabo cank' umugore adakijijwe aganzwa n'impwemu y'iyi si n'ubushakanyi bg'umubiri. Iki n'icirore cerekana umutima wiwe ukw Imana iwubona. Amaso yiwe atukura yerekana ukuborerwa kwiwe. Soma Imigani 23:29-32. "Ni nde agira ngo Yō! Ni nde agira ngw Agwē! Ni nde afise imitongano? Ni nde afise imyidodombo? Ni nde afise inguma ata nyanduruko? Ni nde afise amaso atukuye? N'abatavirira vino, n'abaja kurondera izituriranije. Ntukitegereze vino iy' itukuye, iy'ica ibibatsi mu kirahuri, igashoka neza: uburuhiro iryana nk'inzoka, igakomora nk'imvuvyi; amaso yawe ukayahanga ku vy' inzaduka, kand' umutima wawe ukavuga ibigoramye."

Copyright ANGP

Musi y'umutwe urabona umutima w'umuntu urimw' ibikoko vyinshi vyerekana ivyaha vy'amoko menshi bikunda kuba mu mitima y'abantu. Umutima n'inzu y'ivyaha. Imana iravuga, it' Umutima uribesha kuruta ibindi vyose, urwaye indwara itavurwa: ni nde yowumenya? Yeremiya 17:9. Yesu ubgiwe yavuze, ati Kukw imbere mu mitima y'abantu havamw' ivyiyumviro bibi, ubushakanyi, ubgivyi, ubgicanyi, ubusambanyi, ukwifuza, kugira nabi, ubugunge, ivy' isoni nke, ijisho ribi, ibitutsi, ubgibone, ubupfu: ivyo bibi vyose biva imbere. Mariko 7:21-23.

### 1. UMUSAMBI

Igikoko ca mbere n'umusambi. N'ikiguruka ciza rwose, kandi hano cerekana ubgishime. Lusiferi, umumarayika mukuru, kera yar' utwara umuco w'Imana, yagwishijwe n'ubgishime, ahinduka umwansi w'Imana, ni we Satani. Yesaya 14:9-17.



Copyright ANGP

**1. UMUTIMA W'UMUNYAVYAHA**

Satani n'umumarayika w'umwiza s'uw' umuco nka kera.

Ubgishime bgiyerekana mu buryo bginshi. Bamwe bagira ubgishime kubg' ubutunzi bgabo, nk'inka n'intama n'inzu nziza n'amatongo manini n'impuzu zigurwa menshi n'umubiri mwiza, uwo bakunda kwerekana mu buryo butera isoni. Bamwe banuka ubgishime birata ubgoko bgabo, canke ko bize mu mashuli makuru, canke ko bafise inkomezi nyinshi, canke kubg' ivyo bakoze, canke kw ar' abera canke kw ar' abirabura, ivyo, bo n'ibindi bintu vyinshi. Abandi bagomba kwigira beza mu kwambara ubudede n'impeta z'intoke n'iz' amatwi, no mu kwica amabavu ku mibiri yabo. Arikw Imana yaremye imibiri itunganijwe. "Imana irarwanya abibona, arikw abicisha bugufi ikabaha ubuntu." 1 Pet. 5:5. Imana iranka ubgishime n'amanyama. Imigani 8:13. "Kwibona kubanziriza kurimbuka; kand' umutima wirarira ubanziriza kugwa." Imigani 16:18.

**2. IMBGA**

Imbga n'ikigereranyo c'ubushakanyi n'ubusambanyi n'ugukora ibiteye isoni. Imbga, ah' ija hose irihumanya. Abenshi mu bantu bamera bartyo na bo. Aho baja hose batangura kugomanwa no kureshanya. Mur' iyi misi mibi y'iherezo ubusambanyi n'ubushakanyi bumaze kugwira cane. Abasore n'inkumi ntibazi kwiganza neza, n'abafise umugabo cank' umugore na bo bagira nabi, n'abapfakazi nyene, benshi bari mu busambanyi. Icaha cononye Sodomu kiramaze kwinjira muri benshi cane, ni co gituma amajambo ya Yesu agira ashike, hamwe yavuga yuko mu misi y'iherezo abantu bazomera nk' abo muri Sodomu no muri Gomora. Abazulu n'Abasuto n'abandi, iyo babonye umuntu w'umusambanyi bamwita "imbga". "Umuntu ameze artyo ntashobora kuragwa ubgami bg'Imana. Inyuma (ya wa murwa wo mw ijuru) hazoba imbga n'abarozi n'abashakanyi n'abicanyi n'abasenga ibigirwamana, n'umuntu wese akunda kubesha akabikora." Ivyahishuwe 22:15. "Muhunge ubushakanyi. Icaha cose umuntu akora s'ic' umubiri, arik' ushakana aba acumuye ku mubiri wiwe. Mbega ntimuzi yuko mur' urusengero rw'Imana, kandi ko Mpwemu w'Imana

Copyright ANGP

aba muri mwebge? Umuntu ni yonona urusengero rw'Imana, Imana izomurandura; kuk' urusengero rw'Imana ar' urwera, kand' urwo rusengero ni mwebge." 1 Ab'i Kor. 6:15-20; 3:16-17.

### 3. INGURUBE

Ingurube n'ikigereranyo c'icaha c'ukuborerwa n'ubukunzi bg' inda. Ingurube ipfa kurya ikintu cose ibonye. Ntitoranya ivyiza n ibibi, nk'ukw abantu bamwe barya inyama z'ibikoko vyishwe n'indwara cank' ibinizwe. Bararya amaraso, bararya n'imbeba n'ibindi Imana yatubujije. Ivyakozwe 15:20; Yesaya 66:3-7. Ikigeretseko, bahumanya imibiri yabo, ni rwo rusengero rw'Imana, mu kunywa itabi cank' urumogi — ibintu bihumanya bitera ishano mu maraso bigatuma bakora ivyaha. Satani ababohesha ukwifuza kunywa itabi. Ubushobozi bg'Imana ni bgo gusa bushobora kubabohora ngo ntibaganzwe n'ico kintu kibi kizana ivyaha. Abantu benshi, bamwe bashaje bo n'abandi bakiri bato, biyumvira ngo nta co bitwara iy' umuntu aborerwa inzoga canke vino canke wiski. Ariko nta mborerwa izoragwa ubgami bg'Imana. Inzoga s'indya, n'ishano ryonona ubgenge rituma abantu bayinyoye bamera nk' ibijuju. Barasambana barakora ibibi vyinshi, mbere har' aho bica abandi, ivyo ntibobikora iyo bazi ubgenge uko bikwiye. "Vino ni yo mucokoranyi, ibiboreza ni vyo ruyogoyogo, kand' ubidandabagiranamwo wese ntagira ubgenge." Imigani 20:1. Mu mabgirizwa ya Mose, iyo habaye umuntu afise umuhungu w'ikigaba akaborerwa, wa muhungu yar' akwiye guterwa amabuye ngw apfe. Gusubira mu Vyagezwe 21:19-21. Abakora inzoga n'ibindi biboreza bakora icaha kingana n'ic' ababigurisha cank' ababinywa, kukw Ijambo ry'Imana rivuga, riti Bazobona ibara, ab' ibihangashimwe mu kunywa vino, bakaba abagabo bo guturiranya ibiboreza. Yesaya 5:22. "Azobona ibara, uha mugenziwe ibinyobga, na wewe umwongerakw ibituriranije, ukamuboreza, kugira ngo wirabire ubgambure bgiwe!" Habakuki 2:15. "Ntimuzimire: abashakanyi, cank' abasenga ibigirwamana, cank' abasambanyi, cank' abagabo bendwa, cank' abagabo bendana, cank' ibisuma, cank' abifuza, cank' IMBORERWA, cank' abatukana, cank' abanyazi, ntibazoragwa

Copyright ANGP

ubgami bg'Imana." 1 Ab'i Kor. 6:9,10.

"Kand' ibikorwa vy'inyama biramenyekana, n'ibi: gusenga ibigirwamana, uburozi, ubgansi, intonganya, ishari, uburake, ikeba, kwitandukanya, ibice, igono, KUBORERWA, kudandahirwa, n'ibindi ben' ivyo. Abakora ibisa birtyo ntibazoragwa ubgami bg'Imana." Ab'i Gal. 5:19-21. "Ntimukaborerwe vino (inzoga) irimw' ubuhumbu; ariko mwuzure Mpwemu." Abanyef. 5:18. Abanyotewe, Yesu, isoko y'ubugingo, arabahamagara, ati Namba har' ufise inyota, n'aze kuri jewe, anywe. Yoh. 7:37. "Yemwe abafise inyota, ni muze ku mazi, kandi n'udafise amahera na we n'aze; ni muze mugure, murye, ni muze mugure vino n'amata, mudatanze amahera cank' ibiguzi. N'iki gituma mutanga amahera kugura ibitar' ivyo kurya nyakuri? N'iki gituma mukorera ibidahaza? Mugire umwete wo kunyumvira, ni ho muzorya ivyiza, ubugingo bganyu bunezererwe ibishashagira." Yesaya 55:1,2.

**4. AKANYAMASYO**

Iki gikoko cama kigenda buhoro cane kitwibutsa ivyaha vy' ubunebge n'ukwirengagiza n'uburozi. Ukutizera kumeze nk'icaha c'uburozi. Unebga agwa mu bigerageza vyinshi. Yopfuma yiba hakw akora, kandi kenshi ico kigendana n'ukwica. Ubunebge mu vy'umutima butubuza gusenga no gusoma Ijambo ry'Imana no gukorana n'abandi bantu b'Imana. Butubuza gusesa Ijambo ry'Imana kand' ari ryo riduha ubugingo budashira. Ukwirengagiza bumeze nk'igisuma kitwiba umwanya, kand' iherezo ry'uwirengagiza n'amahonero. Imana imaze kukubgira k'ukwiye kuyiha umutima wawe uyu musi, Satani aca aza kukubgira ngo Rorera kugeza ejo cank' uwundi musi ukubereye neza. Yamara kenshi wa wundi musi nta h'ushika. Wirengagiza umusi umwe n'uwundi, n'umwaka umwe n'uwundi kugeza urupfu rugushitseko utavyiteguriye ugapfa udafise Imana, udafise agakiza, udafise Yesu Kristo. Ni co gituma Imana ivuga, it' Uyu musi aho mwumvira ijwi ryayo ntimwikomantaze imitima. Abaheb. 3:7,8.

Umuruka w'akanyamasyo, (n'ikintu kigumye cane) hamwe-

Copyright ANGP

hamwe abapfumu barawupfumuza, rer' ico gikoko kitwereka icaha c'uburozi n'ukugenda ku mupfumu. Dukwiye kwizigira Imana nzima yonyene. Abantu benshi, iyo batewe n'indwara cank' amagorwa, bareka kwizigira Imana nzima, bakizigira intenderi n'ibiheko n'amahembe canke n'ibindi bintu baronka ku bapfumu, yamara bari bakwiye kwizigira Imana Rurema iyabacunguye. Imana yategetse Abisiraeli, iti "Umurozikazi (cank' umurozi) ntimuze mumureke ngw abeho." Kuvayo 22:18. "Muri mwebge ntihaze haboneke umupfumu, cank' umurozi, cank' umwabuzi, cank' uja kuraguza imizimu, cank' umumenyi, cank' uhamagara imizimu. Kuk' ukora ben'ivyo wese aba abaye umuyobe k' Uhoraho." Gusubira mu Vyagezwe 18:10-12. "Ntimuze muje kubabaza, bagahava babahumanya: ni jewe Uhoraho Imana yanyu." Abalewi 19:31. "Umuntu yirukira abahamagara imizimu n'abamenyi, akaja kubaraguzako, akabahurumbira nk'ikimaka, nzohoza igitsure canje kuri we, ndamurandure mu bgoko bgabo. Nuko mwiyeze, mube abera, kuko nd' Uhoraho Imana yanyu." Abalewi 20:6,7. Yesu Kristo, ni we gusa ashobora gukiza umutima bo n'umubiri; "ni we aharira ibigabitanyo vyawe vyose, agakiza indwara zawe zose." Zaburi 103:1-3. "Muri mwebge ni haba harih' urwaye, n'atumekw abashingantahe b' ishengero (s'umuganga) baze kumusengera. Kand' ugusenga gufatanije n'ukwizera kuzokiza umurwayi, Umwami azomuvyura: kand' asanzwe yarakoze ivyaha azobiharirwa. Mwaturanire ivyaha vyanu, musengeranire, kugira ngo mukire indwara." Yakobo 5:14-16; Ivyahishuwe 22:15.

Ugisoma aka gatabo, Imana irikw iravuga mu mutima wawe, ikubgira kwihana ivyaha vyawe no kwitanga ku Mana, yamar' akameremere k'akanyamasyo kari mu mutima wawe kabubgira, kati Nturinda kwihuta, uzokwitanga, yamara s'uyu musi, kumbure n'ejo, canke mw iyinga riza, canke mu mwaka uza, banza ubaze umugabo wawe, cank' umugore wawe, canke so, banza urongore, banza ureke kugira ngw abana bakure. Urareka kwumviriza ijwi ry'Imana, wumvira ijwi rya Satani rihendana. Mu gukora gurtyo urakomantaza umutima kugeza ah' uzoba ukomeye nk'umuruka w'akanyamasyo.

Copyright ANGP

**5. INGWE**

Ingwe n'igikoko gikaze cane gikunda kwica. N'ikigereranyo c'uburake n'ifuhe n'ukujingitwa bishobora kuba mu mitima y'abantu. Umuntu wese aganzwa n'uburake n'ifuhe ashobora kwoshwa gukora ibintu bibi cane no kuvuma no kurahira nabi no kwica rimwe-rimwe. Kenshi umuntu igihe anywa inzoga atangura kwerekana wa mutima mubi. Abantu bamwe bakunda gutinya abandi baranywa cane kugira ngo batinyuke gusubiza abandi ibibi. "Vino yabo ni nk'ubumara bg'inzoka, mbere ni nk'ubumara bgica bg'imvuvyi." Gusubira mu Vyagezwe 32:33. Abanyavyaha bakunda kwihora, yamar' Imana ni yo izokwishura. Yesu yavuze, ati "Ni mukunde abansi banyu." Imana yasezeranye kuduharira ivyaha vyacu namba natwe duharira abatugirira nabi.

**6. INZOKA**

Kera ico gikoko cari ciza cane, yamara cahenze Adamu na Eva bari mu murima wa Edeni, kugira ngo kibabuze gushira hamwe no gukundana n'Imana. Satani abonye ingen' Imana ikunda Adamu na Eva n'ingene yabahaye kuganza isi yose, vyamuteye ishari kukw ari we yagomba kuyiganza. Kubg' ishari Satani yononye ubumwe bga Adamu n'Imana. Ishari rimeze nabi rirtyo rikaze ririho no mu mutima wawe no mu bugingo bgawe rikubuza umunezero, ubonye kw abandi banezerewe bamerewe neza. N'abantu b'Imana na bo bakwiye kwitonda cane ngw iryo shari riva kwa Satani ntirishike mu mitima yabo igihe babonye uwundi yahezagiwe n'Imana cank' uwundi ikoresha cane. Ishari rizana ivyiyumviro bibi vyinshi mu mutima vyo kwonona umunezero w'abandi canke kubaroga canke no kubica. Iy' ishari rije hagati y'umugabo n'umugore wiwe rishobora kwonona ukubana kwabo rwose. "Ifuhe rinyinyaraye nk'i kuzimu." Indirimbo 8:6.

**7. IGIKERE**

Igikere kirya ivyondo, kandi hano kiratwereka icaha c'ipfa n'uguhahamwa amafaranga n'ubutunzi; kand' ugukunda amahera n'imizi y'ibibi vyose. 1 Tim. 6:10. I Kongo har' ah' abantu babonye ibikere birya umuswa kugeza bituritse bigapfa.

Copyright ANGP

Umuntu w'ipfa ntakunda gusangira n'abandi canke gufasha abakene. Ashishikara mu buryo bgose, ubg' ukuri n'ubgo guhendana, ngw abone gutunga ubutunzi bg'iyi si. Yamar' inyenzi n'ingese bizobumara n'ibisuma bizobgiba. Ni co gituma Yesu yatubgiye, ati Mwirundanirize ubutunzi mw ijuru, ah' inyenzi n'ingese bitabumara, hatariyo n'ibisuma vyimba ngo vyibe. Kukw ah' ubutunzi bgawe buri ari ho umutima wawe uzoba. Mat. 6:19-21. Akani yapfanye n'abiwe kuko yakunda izahabu n'ifeza n'impuzu z'amafaranga menshi agafata ibintu bizira. Yosuwa 7. Yuda Isikaryota, umwigishwa wa Yesu, yapfuye kuko yakunda amafaranga ayarutisha Yesu. Mat. 27:3-5.

**8. SATANI**

Ni we se w'abanyabinyoma bose. N'umwungere w'ivyo bikoko vyose twabonye, ni we akunda kuganza imitima. Yesu yavuze, ati Mwebge mur' aba so wa Murwanizi, kand' ivyo so yifuza ni vyo mushaka gukora. Uwo yahereye ubga mbere na mbere ar' umwicanyi, kandi ntiyahagaze mu kuri, kukw ata kuri kuri muri we. Iy'avuga ibinyoma, avuga ivyiwe, kukw ar' umunyabinyoma, kand' ari we se wavyo. Yoh. 8:44.

Copyright ANGP

**9. INYENYERI**

Inyenyeri n'ikigereranyo c'ijwi ryo mu mutima w'umuntu wese. Ijwi ryo mu mutima ni ryo ritandukanya ivyiza n'ibibi. Abaroma 2:15; 9:1; 1 Tim. 4:2; Tito 1:15; Abaheb. 10:22. Hano inyenyeri (ni ryo jwi) irirabura irahumanye, ni mbi. Ijwi ryo mu mutima ryarapfuye kubg' ukwo gukora ivyaha na ntaryo, rirahumye, riragoreka, bituma ridashobora gusuzuma neza ibikorwa vyaryo. Yamara rirashobora kwezwa, canke guhumanurwa n'amaraso ya Yesu. Abaheb. 9:14.

**10. IJISHO**

Ijisho ry'Imana riri hose kandi ribona ibintu vyose biri mu mutima. Nta gishobora guhishwa ijisho ry'Imana ryaka nk'umuriro. Ni co gituma izi ivyiyumviro n'imigabo vyo, mu bgigobeko bg'umutima. Naho wokora ibibi nw ijoro ry' umwiza mwinshi, canke mu gahinga cank' ahandi hose h'umwiherero, Imana

irabibona.

**11. UMUMARAYIKA**

Umumarayika n'ikigereranyo c'Ijambo ry'Imana. Imana iravugira mu mutima w'umunyavyaha imubgira kwihana no kwemera ng' umuco w'Imana wake mu mwiza wo mu mutima wiwe. Imana irikw iravugana nawe, musomyi w'iki gitabo.

**12. INUMA**

Iyi nyoni nziza itagira nabi n'ikigereranyo ca Mpwemu Yera, Mpwemu w'ukuri, yemeza abantu ivy' icaha n'ivy' ukugororoka n'ivy' amateka. Mur' iki gicapuro Mpwemu Yera ar'inyuma y'umutima. Ntashobora kuba aho har' icaha.

**13. IBIRIMI VY'UMURIRO**

Ibirimi bito vy'umuriro bikikije umutima w'umunyavyaha, vyerekana urukundo rw'Imana rukikiza umutima w'ivyaha, kukw Imana itagomba k'umunyavyaha apfa, arikw igomba ko yihana akabaho. Yesu yazanywe no gukiza umunyavyaha. Har' umunezero mwinshi mw ijuru kubg' umunyavyaha umwe yihannye. Imana iragomba kwogesha umutima amaraso y'Umwana wayo w'ikinege, Yesu Kristo. Ivyo birimi vy'umuriro vyerekana kandi ayo maraso. Urukundo rw'Imana ruragomba kwinjira mu mutima ukonje upfuye.

Copyright ANGP

Asangw' iki gishushanyo cerekana uk' umutima wawe umeze, takambira Imana, uyugururire umutima wawe, wemere ng' umuco w'ijambo ryayo wake mu mutima wawe. Izera Umwami Yesu, urakira. Imana izoguha umutima musha, izoshira impwemu nsha muri wewe, ni wabiyisaba. Ivyo biraboneka mu gishushanyo ca kabiri.

## IGISHUSHANYO CA KABIRI

Iki gishushanyo cerekana umuntu atanguye kwihana no kurondera Imana. Umumarayika afise inkota, "ni yo Jambo ry'Imana, rifise ubukuba, rifise ubugi buruta ubg' inkota zose rikinjira n'aho ritanya ubugingo n'impwemu, rigatanya ingin-



Copyright ANGP

**2. UMUTIMA WAGIRIZWA IVYAHA UTANGUYE KWISHIKANIRA IMANA**

go n'umusokoro, risuzuma ivy' umutima wiyumvira, ukagabira." Abaheb. 4:12. Ijambo ry'Imana rimwibutsa yukw "ingero z'icaha ar' urupfu," kandi "yukw abantu babikiwe gupfa rimwe, hanyuma yaho hakaza amateka." Abaheb. 9:27. Umugabane w'umunyavyaha n'utizeye uzoba mu kiyaga caka umuriro n'amazuku.

Mu kundi kuboko umumarayika afise agahanga k'uwapfuye. Ivyo n'ukwibutsa umunyavyaha yuko twese dukwiye gupfa. Umubiri wacu, turawukunda cane, turamara umwanya munini kuwutunganya no kuwambika no kuwugaburira, turawuha ivyo wifuza vyose, uwo mubiri uzopfa ubore. Inyo zizowurya, yamar' impwemu y'umuntu ikwiye gushika imbere y'intebe y'imanza y'Imana. Umunyavyaha aratanguye kwumviriza ijambo Imana imuhanura no kwugururira urukundo rw' Imana umutima wiwe. Mpwemu Yera aratanguye kwaka mu mutima w'umwiza. Umuco w'Imana urinjira utangura gukurah' umwiza wose. Umuco ubonetse, umwiza ukwiye guhunga. Urukundo rw'Imana rusUsurutse uratanguye gushusha umutima ukonje. Ivyaha, vyerekanwa na vya bikoko, bikwiye guhunga.

Munyavyaha we, wemere Yesu, umuco w'isi, ngo yinjire mu mutima wawe, rer' umwiza bo n'ibikorwa vyawo ukwiye kuva mu mutima nk'uk' ubona mu gishushanyo. Yesu yavuze, ati Jewe nd' umuco w'isi, unkurikira nta h'azogenda mu mwiza. Yoh. 8:12. "Abakunda umwiza kuruta umuco bazobona ibara." Yesu yinjiye mu rusengero i Yerusalemu, ahindira hanze abadandarizah' inka n'intama n'inuma, asesa amahera y'abariko baravunja amahera, ababarira, at' Ingoro yanje n'inzu yo gusengeramwo, ariko mwebge mwayihinduye nk'isenga ry'abambuzi. Mat. 21:13. Inzu n'umutima wawe. Yesu yaje kugira ngw aduharire ivyaha vyacu, yamara si co gusa, yaje kandi kugira ngw atubohore ngo ntituganzwe n'ubushobozi bg' icaha. "Umwana (Yesu) ni yabaha kwidegemvya, muzoba abidegemvya nyakuri." Yoh. 8:36.

Copyright ANGP

## IGISHUSHANYO CA GATATU

Hano tubona umutima w'umunyavyaha yihannye vy'ukuri. Arumva cane ingen' ivyaha vyiwe ari vyinshi kandi bibi, kand' ingen' ari vyo vyatumye Yesu abambga ku musaraba. Akiraba umusaraba umumarayika (ari we Jambo ry'Imana) amwereka, umutima wiwe urameneka. Urukundo rw'Imana rwabonetse muri Yesu Kristo ruramena umutima wiwe, cane-cane uko yibuka ko Yesu Kristo, Umwagazi w'intama w'Imana, yaje kumukurakw ivyaha vyiwe vyinshi, kandi ko yemeye kumanikwa ku musaraba mu gishingo ciwe. Yesu yakubiswe, yambitswe igitsibo c'amahwa, yakomwe imisumari mu biganza no mu birenge, yamanitswe ku musaraba kubg' ivyaha vyacu — kumenya ivyo vyose kuramena umutima w'umunyavyaha yihannye. Agisoma Ijambo ry'Imana kand' akiryumviriza yibona mu cirore c'Imana, atahura ingen' umutima wiwe wirabura wuzuye ivyaha. Ivyo biramucumita mu mutima, atangura kujanjagurika umutima no kubabara no kurira kubg'ivyaha vyiwe, rer'Imana iramwegera. Urukundo n'amahoro vy'Imana vyinjira mu mutima wiwe umaze kwozwa n'amaraso ya Yesu Kristo. Atangura kumenya yuk' "Uhoraho aba hafi y'abafise imitima imenetse, kand' akiza abafise imitima ijanjaguritse." Zab. 34:18. "Akiza abafise imitima imenetse, apfuka inguma z'imibabaro yabo." Zab. 147:3. Kand' Ijambo ry'Imana ryongera rivuga, rit' Umuntu w'impahazwa afise umutima umenetse, agahindishwa agashitsi n'ijambo ryanje, uwo ni we nzohozakw ijisho. Yes. 66:2.

Copyright ANGP

Mpwemu Yera aratanguye kuganza umutima wogejwe, bo n'urukundo rw'Imana na rwo rurawuganza, nya muntu akirabishwa n'ukwizera ku musaraba n'amaraso vya Yesu, ya maraso yavuye kugira ngw abantu baharirwe ivyaha. Aratanguye kwumva ko yahariwe ivyaha vyiwe, amenyeshwa neza kw amaraso ya Yesu, Umwana w'Imana, amwoza ivyaha vyiwe vyose. 1 Yoh. 1:7. Uwizera Yesu ntazopfa rubi yamar' azohabga ubugingo budashira. (Soma 1 Ab'i Kor. 6:10-11). Muri Yesu ni ho duherwa gucungurwa n'amaraso yiwe, ni kwo guharirwa ibicumuro vyacu, nk'ukw itunga ry'ubuntu bgayo



Copyright ANGD

**3. UMUTIMA WIHANNYE**

riri. Abanyef. 1:7. Haza impwemu nsha mu mutima wiwe, uhereye ubu ntagikunda ivy' isi yamar' akunda ivy'Imana, Iyo yujuje umutima wiwe urukundo. Ivyo bikoko, ni kwo kuvuga ivyaha, bir' inyuma y'umutima wiwe, naho Satani ubgiwe agenda atabigomvye, kand' akomeza kuraba aho yavuye yizigira kubona uburyo bgo kuhinjiramwo ukundi gusha. Ni co gituma duhuburwa ngo tube maso dusenga, kandi ngo turwanye wa Murwanizi, na we azoduhunga.

## IGISHUSHANYO CA KANE


Iki gishushanyo cerekana umuntu w'Imana amaze kuronka amahoro yuzuye no gucungurwa kubg' ikimazi c'Umwami wacu Yesu Kristo. Nta kindi yirata, atar' umusaraba w'Umwami Yesu Kristo, watumye isi imubera ikibambge, na we isi akaybera ikibambge. Ab'i Gal. 6:14. Arazi rwose ko Yesu yapfuye ku musaraba kugira ngo dupfuye ku vyaha tubeho ku kugororoka. 1 Petero 2:24. Umuntu w'Imana aba yapfuye ku vy' isi. Twabgirijwe kugendeshwa na Mpwemu ngo ntidushitse ivy' inyama yifuza. Ab'i Gal. 5:12-25. Kandi turabgirwa ngo dukurikire ukwezwa, "kuk' utejejwe atazoraba Umwami." Abaheb. 12:14.

Copyright ANGP

Mu mutima wo mur' iki gishushanyo urabona inkingi, ni yo baboheyeko Yesu bamaze kumwambura impuzu ziwe. Urabona kandi ibimoko bamukubitishije kukw igihano cacu camuguyeko. Yes. 53:11-12. Yakubiswe kubg' ivyaha vyacu. Umwami Herode n'abantu biwe bamushinyagurira, kandi bamaze kumukubita bamwambika umutamana w'agahama. Batsiba igitsibo c'amahwa bakimwambika mu mutwe mu gishingo c'igitsibo c'izahabu. Bashira irenga mu kuryo kwiwe, aho yar' akwiye inkoni y'uganza. Baramupfukamira bamutwenga, bati Ndagize bgakeye Mwami w'Abayuda. Bamucira amate, bafata rya renga barimukubita mu mutwe. Bahejeje kumushinyagurira bamujana kumubamba. Har' abantu benshi bitwa Abakristo, basenga mu nsengero bagenda no ku meza y'Umwami baririmba indirimbo z'Imana, yamar' ibibi bakora bisubiza Yesu ku musaraba. "Umuntu wese amuvumereza,

Nabambanywe
na Kristo.
Ab'i Gal. 2:20.

Mwapfuye ku caha,
ariko muriho mur'
ab'Imana, muri muri
Kristc Yesu.
Abaroma 6:11.




**4. KUBAMBANWA NA KRISTO**

ati Mwami, Mwami; si we azokwinjira mu bgami bgo mw ijuru, atar' ukora ivyo Se wo mw ijuru agomba." Mat. 7:21-27. Mu gishushanyo urabona isaho ya Yuda y'amafaranga. Yuda yagambaniye Yesu amugura amahera y'ifeza 30, kuk' ugukunda amahera kwamaze kumuhumya no kuboha umutima wiwe w'icaha. Turabona hano itara n'iminyororo n'ibindi abasoda bakoresheje rya joro bafata Yesu. Kand' urusimbi abasoda bariko baratera igihe bapfindira impuzu za Yesu, bishitsa ijambo ryari ryanditswe kera, rivuga, ngo Bagabura impuzu zanje, bapfindira umwambaro wanje. Zab. 22:18.

Icumu ririho umusoda yacumitishije urubavu rwa Yesu, havamw' amaraso n'amazi. Yoh. 19:33-37. Inkoko itarabika Petero yihakanye Yesu imbere y'incoreke, ariko yihannye arira cane. Mbega weho, uremera Yesu imbere y'abantu mu vy'uvuga no mu vy'ukora? Cank' uratinya kubigira? Yesu yavuze, at' Umuntu wese azonyihakanira imbere y'abantu, nanje nzomwihakanira imbere ya Data wo mw ijuru. Mat. 10:32-33. Yesu yongera, avuga, at' Umuntu ni yagomba kunkurikira, ni yiyanke, yikorere umusaraba wiwe, ankurikire. Mat. 16:24. Utikorera umusaraba wiwe ngw ankurikire ntankwiye. Mat. 10:38.

Copyright ANGR

Gitandara c'Imana
Reka nguhungireko…
Amazi n'amaraso
Vyo mu rubavu rwawe
Binkiz' uburyo bgompi
Urubanza rw'ivyaha
N'ubushobozi bgavyo,
Vyoye kuntsind' ukundi.

## IGISHUSHANYO GA GATANU

Hano tubona ubugingo bg' umuntu yar' umunyavyaha arikw aramaze kwozwa no kwezwa, akijijwe n'ubuntu bginshi n'imbabazi vy'Imana. Ubu n'urusengero rw'Imana vy'ukuri,

Urukundo
Umunezero
Amahoro
Ukwihangana
Ab'i Ga. 5:22-23.

Kugira neza
Ingeso nziza
Ukwizera
Ubugwaneza
Ukwirinda




**5. URUSENGERO RW'IMANA**

inzu y'Imana Data wa twese, n'Umwana na Mpwemu Yera, nk'uko Yesu Kristo yavuze, ati Ni hagira unkunda, azokwitondera ijambo ryanje, kandi Data azomukunda, kandi tuzoza kuri we, tubane na we. Yoh. 14:23. Imana yubaha abantu kubga Yesu Kristo, irabahezagira irabashira hejuru. Luka 1:52.

Ubu umutima wahindutse urusengero rw'Imana nzima. Ivyaha vyakuweho. Aho vya bikoko vyahora, biganzwa na Satani, se w' ibinyoma, ubu tubona Mpwemu Yera aba mu mutima. Aho hahora ibikorwa bibi vy'inyama, ubu umutima wahindutse nk'umurima wama imbuto, n'igiti cama, imbuto umutima wama n'izi: urukundo, umunezero, amahoro, ukwihangana, kugira neza, ingeso nziza, kuba umwizigirwa, ubugwaneza, ukwirinda n'izindi zinezereza Imana n'abantu. Ubu wa muntu amaze kuba ishami ryama imbuto riri ku muzabibu, Yesu Kristo. Igituma ashobora kwama n'ukw aguma muri Yesu kandi Yesu aguma muri we. Yoh. 15:1-10. Kand' abika ijambo ryiwe mu mutima wiwe. Kuko yuzuye Mpwemu Yera akabatizwa na we afise ububasha bgo kunesha inyama n'ukwifuza kwayo no kubamba inyama n'ivy' igomba. Mu bushobozi bga Mpwemu Yera ashobora kugendana Mpwemu. Ntabeshwaho n'ivyo yumva n'ivy' abona, yamar' abeshwaho n'ukwizera; intsinzi yatsinze isi n'ukwizera Yesu Kristo. Arabeshwaho n'ukwizigira, akomezwa n'ukwizigira rwose k'Umwami wacu Yesu Kristo azogaruka vuba. Yama mu rukundo rw' Imana rwamaho ibihe vyose.

Copyright ANGP

Hahirwa abafise imitima itanduye, kukw ari bo bazobona Imana. Mat. 5:8. Umwami Dawidi, naho yar' umutunzi kandi naho yar' amaze kunesha abansi benshi, yishe ikigambati Goliyati n'abandi, na ho nyene yar' azi ko har' ikindi akennye rwose mu bugingo bgiwe, kandi yukw atakibonye atobona Imana. Rero mu bgigobeko bg' umutima wiwe yatakambiye Imana, ati Mana, undememw' umutima wera: unsubizemw' umutima uhamye. Zab. 51:10. Nta wushobora kweza umutima wiwe ubgiwe canke kwiremamw' umutima musha. Umuntu wese akwiye kuza ku Mana yihannye vy'ukuri yatura

ivyaha vyiwe yemera kubiheba, nk'uko Dawidi yakoze, kandi nk'uko wa musore w' icangazi yakoze, uwo yahevye ingurube asubira kwa se amubgira ababaye, ati "Data, nacumuye ku Yo mw ijuru no mu maso yawe." Imana iremera rwose gufasha umunyavyaha wese aza kuri yo yihannye vy'ukuri, kukw Imana ari yo yabahaye isezerano, iti Nzobaha umutima umwe mbashiremw' impwemu nsha; nzokura umutima ukomeye nk'ibuye mu mibiri yabo, mbahe umutima woroshe nk'inyama. Ezek. 11:19. Iryo n'isezerano risha Imana yagize ikarishitsa mu maraso y'Umwana wayo Yesu Kristo.

Mur' iki gishushanyo tubona umumarayika yongeye kuboneka. Abamarayika bakorera abazoragwa ubugingo budashira, kandi barashagaje impande zose z'abubaha Uhoraho. Zab. 34:7; 91:11; Dan. 6:22; Mat. 2:13; 18:10; Ivyakozwe 5:19; 12:7-10. Satani na we araboneka hano ahagaze hafi y'umutima, arondera uburyo bgo gusubira kwinjira aho yahora. Ni co gituma tubgirwa kuba maso no gusenga kuko "wa Murwanizi agendagenda nk'intambge yivuga, arondera uw' arotsa." 1 Pet. 5:8. "Murwanye wa Murwanizi, na we azobahunga." Yak. 4:7.

Copyright ANGP

## IGISHUSHANYO CA GATANDATU

Iki n'igishushanyo gitera umubabaro c'umuntu asubiye inyuma. Ijisho rimwe agira arihumirize, vyerekana kw atanguye kugira ubukonje, agira itiro mu bugingo bgo mu mutima akagira n'ubute. Irindi jisho rirarangaguza rikunda ivy' isi. Umuco wari mu mutima uratanguye kuzima; ibimenyetso vyo mu mutima vyerekana ko yemeye kubabarana na Kristo ntibigihagarara neza. Arikw arageragezwa, kand' aravyemera aretse kurwanya wa Murwanizi. Arikw arumviriza ijwi ry'Umurwanizi, ntacumviriza ijwi ry'Imana. Aracagenda mu bikorane vyo mu rusengero, ahisha ingen' akunda ivy' isi, yamara mu mutima wiwe aratanguye gutwarwa akayombekere ava ku Mana ntagikunda Imana nka mbere. Inyenyeri yerekana ijwi ryo mu mutima, iratanguye kwirabura, kandi kuri we umusaraba n'umutwaro uremereye rwose. Aratanguye kunyiganyiga mu kwizera, ntagisenga cane. Agira urwangara mu vy'umutima




**6. UMUTIMA UGERAGEZWA WITANDUKANIJE**

aha ikibanza Satani, uwari yamye hafi ngo yinjire.

Umusambi ugomba kwongera kwinjira. Uwo muntu atangura kugira ubgishime, kumbure yishimira Ubukristo bgiwe, yibagira ko yakijijwe kubg' ubuntu bg' Imana gusa. Ukuborerwa guhagaze ku rugi kugomba kwinjira. Kumbure har' umwinginga kunywa rimwe gusa, canke yibgira ngw inzoga ntoto nta c'imaze. Yibagira kw inzoga nkeya cank' inzoga idakomeye ari nk'umugende ujana umuntu ku ruzi runini rw'ukuborerwa. Canke nk'umugore akorera umugabo wiwe inzoga ngw ayishire abagenzi biwe, yibgira ngw atazoba ari we anyoye, n'uguha abandi gusa, yamar' aba afashije abandi kunywa, na we arahendwa n'ukuborerwa. Ugusambana kuragerageza umuntu w'Imana rwose kuramuhenda cane. Kumbure wa muntu aratanguye kunezerwa kwumva ibiyago bibi vy'abandi canke kugendana n'abakunda ibibi canke gukunda imvyino mbi. Kumbure har' uwamubgiye ngo Gutamba nk' abazungu, abagabo batambana n'abagore, si nabi, ngo Gutamba nk' abapagani ni vyo bibi gusa. Ntaratahura yuk' ugutamba kwose ari kubi, mber' ivy' ikizungu ni bibi kuruta ibindi vy'ahandi. Kandi kunywa itabi n'isegerete ni bibi ni nko kunywa nk'abapagani ba kera. Yesu ntiyakoresheje itabi, kand' Umukristo w'ukuri agomba gukurikira Yesu ntarinywa.

Copyright ANGP

Satani aramubgira ngo Gukora icaha rimwe gusa s'icaha. Ng'Umuntu ashobora gusambana rimwe canke gukora ikindi kintu kibi rimwe, arikw ivyo bintu bibi bimaze kwinjira mu mutima wari wogejwe birasubira kumuganza.

Mur' iki gishushanyo urabona umuntu acumita umutima. Ico kitwereka ingen' abantu bamwe batwenga Abakristo bakabatuka, amajambo yabo mabi agacumita umutima w'Umukristo. Ntashobora kwihanganira ugutwengwa n'abandi, cane-cane iy'ar' abantu bahora bakundana. Amajambo yabo aracumita umutima wiwe, kandi kukw afise ubukonje, atinya abantu kuruta Imana; kandi kukw atinya ic' abantu bazovuga cank' ico bazokwivumvira, atangura kujakarira abantu agasubira inyuma.

Uburake n'ishavu bigaruka igihe abona ibimugoye bikagomba kuganza umutima wiwe. Ukuvuma no kuvugira ubusa izina ry'Imana bitangura guhumanya akanwa kiwe, kahora gashima Imana kayisenga. Satani iy' ashoboye kubona umuryango muto cank' umwenge muto aca yinjiza inzoka y'ishari, iyo rero ikagura umuryango ngw ibindi bibi vyinjire na vyo.

Biroroshe cane gukundira ubukunzi bg'amahera kwinjira mu mutima iyo tutitonze rwose ngo twumvire amajambo y'Umwami Yesu hamwe yavuga, ati Ni mube maso, musenge, ntimuje mu mosha mabi. Mat. 26:41. "Uwiyumvira kw ahagaze ni yiyubare ntagwe." 1 Ab'i Kor. 10:12. "Mwambare ibirwanishwa vyose vy'Imana, kugira ngo mushobore guhagarara mudatsinzwe n'ubugunge bga wa Murwanizi." Abanyef. 6:11-18.

## IGISHUSHANYO CA NDWI

Copyright ANGP

Iki gishushanyo cerekana umuntu amaze gusubira inyuma, umwe yar' amaze kwakirwa n'umuco, agatamira ingabire iva mw ijuru, agasangira Mpwemu Yera, yamara hanyuma yaguye akabivamwo. Cerekana kandi umuntu ataribgihane, naho yumvise Ubutumwa Bgiza akabihishurirwa, yakomantaza umutima agakomeza mu vyaha.

Yesu ubgiwe yadondoye ivy' ugusubira inyuma hamwe yavuga, at' Iy' impwemu ihumanye ivuye mu muntu, ica ahatagira amazi, irondera uburuhukiro, ikabubura, ikavuga, iti Reka nsubire mu nzu yanje navuyemwo. Ihashitse, igasanga ikubuye, iteguritse. Igaca igenda, ikazana izindi mpwemu ndwi ziyirusha ububi, zikinjira zikahaba. Ivya nyuma vy'uwo muntu bikarusha ivya mbere ububi. Luka 11:24-27. "Ivyabashitseko n'ivy' uyu mugani w' ukuri ngw Imbga isubiye ku vy'idashwe; kandi ngw Ingurube yuhagiwe isubiye kwivurunga mu vyondo." 2 Petero 2:22.

Ayo majambo yo mu Gitabo c'Imana yerekana rwose uk' umutima w'uyo muntu umeze. Ivyaha vyuzuye ubuhumvyi biramaze gushika ngo bigumeyo bihiganzire. No mu maso




**7. UMUTIMA USUBIYE INYUMA, CANK'UKOMANTAYE**

hiwe herekana uk' umutima wabaye nabi. Mpwemu Yera yar' akwiye kuva mur' uwo mutima, kukw icaha na Mpwemu Yera bidashobora kubana. Umuco n'umwiza nta co bisangiye. Umutima ntushobora kuba urusengero rw'Imana n'isenga ya Satani. Umumarayika, ari we Jambo ry'Imana, akwiye kuvayo na we ababaye araba inyuma, yifuza ko nya muntu yokwihana nka wa musore w'icangazi. Uwo, yisubiyemwo acicaye hagati mu ngurube acifuza guhazwa n'ibishishwa ingurube zarya, yamara ntihagira ubimunutsa. Yemera ko yasubiye inyuma yazimiye, arihana aravuga, ati Mve hasi, nje kwa data, mmubgire, nti "Data, nacumuye ku yo mw ijuru no mu maso yawe, singikwiye kwitwa umwana wawe." Kuko yihannye vy'ukuri ababaye, se aramuharira, abaga ishuri inuze amusubiza mu nzu yiwe.

Yamar' umuntu tubona mur' iki gishushanyo ntafise umutima wo kwihana ngo bimufashe kugaruka kuri Yesu, ngo yikubite hasi imbere ya Yesu amusabe kumuharira no kumwoza ivyaha. Ijwi ryo mu mutima ryarahoze rirapfa. Arafise amatwi yo kwumva, yamara ntagishobora kwumva ijwi ry'Imana rimwinginga gukizwa. Arafise amaso yo kubona, yamara ntagishobora kubona i kuzimu kwaka umuriro agira akorokeremwo. Nta soni agira, nta co yicuza mu vyo yakoze, yamar' akomeza mu vyaha abikora imbere y'abantu. Satani yaraje kuganza umutima wiwe, ari ku ngoma nk'umwami. Kumbure aracihagararako ngw aboneke neza, yamar' asa n'imva zihomeshejwe ingwa, ziboneka inyuma zikuyengeje arikw imbere zuzuye amagufa y'abapfuye n'ibihumanya vyose. Mat. 23:27. Se w'ibinyoma yishize mu gishingo c'impwemu y'ukuri. Igikoko cose, ari co caha cose, gifise umudayimoni waco n'impwemu ihumanya yo kugifasha kuganza uwo mutima. Uyo muntu naho yokunda kwibohora ngo ntabe akiganzwa n'abo bamushinyagurira, nta vy'ashobora kuko yahindutse umugurano wabo. Vyerekana ukuri Imana yavugishije Petero, igihe yavuga, at' Ukengereye ivyagezwe vya Mose, ivyabona bibiri canke bitatu biramwicisha, ata kagongwe. Mugira ng' umuntu ntazoba akwiye guhanwa ibirushirije cane, asiribanze Umwana w'Imana, akiyumvira amaraso y'isezerano yamwejeje



Copyright ANGP

kw ar' igihumana, agacokora Mpwemu w'ubuntu? Abaheb. 10:29-31; 2 Petero 2:1-14.

Musomyi nkunda, asangw' umutima wawe umeze urtyo, takambira Imana vuba bivuye mu mutima rwose. Irashobora kand' iremera kugukiza, no kuguharira no kukwoza ivyaha vyose ni wemera kuza kuri yo wihannye vy'ukuri. Irashobora kuboha Satani n'abadayimoni biwe bose no kubakura mu mutima wawe ni wemera kw iibikora. N'uze, nka wa munyamibembe yaje kuri Yesu akavuga, at' Ukunze, woshobora kumpumanura; kandi Yesu aramwishura, ati Ndakunze, humanuka. Mariko 1:40-43. Yamara ni wakomeza gukomantaza umutima wawe no gukunda umwiza kuruta umuco, nta wushobora kugufasha, kuko wahisemw' urupfu atar' ubugingo, umwiza atar' umuco.

## IGISHUSHANYO CA MUNANI

Copyright ANCP

Hano tubona umunyavyaha yikomantaje umutima, bo n'uwasubiye inyuma, ari hafi gupfa, umubiri urababaye cane, kand' umutima wiwe wuzuye ubgoba bg'urupfu. Urupfu (urukanka, se w'amagufa) rwaje mu gihe atiyumviriye atabigomvye, rumuraba nabi. Umunezero w'ivyaha waraheze, non' ubu ingero z'icaha zikwiye gutangwa. Umubabaro w'i kuzimu uratanguye gufata impwemu yiwe n'umutima wiwe wuzuye ubgoba. Nah' agomba gusenga, asanga ntashobora kwegera Imana. Nah' abegenzi biwe b'ivyaha bagomba kumuhumuriza nta co bimumarira, kand' ubutunzi yarundanije kubg' ugukunda amahera ntibushobora gukiza umutima wiwe canke kumukurak' umubabaro canke kumwongerakw imisi. Nah' agerageza kwiyumvira ivy' Imana, Satani aramubuza. Ivyo yakunda vyose vyo mw isi bitangura kumucurira, n'abahora bamwosha nta vyo bashobora kumufashamwo. Atangura gutahura ko bitera ubgoba gukorokera mu maboko y'Imana nzima. Yahora yiyumvira kw azokwihana agira apfe, yamar' ubu asanze yaratevye. Abantu benshi cane barapfa giturumbuka ntibaronke uburyo bgo kwihana mu gihe co gupfa. Ni co gituma duhanurwa ngo "Ni murondere Uhoraho




**8. IHEREZO RY'UMUNYAVYAHA**


bigishoboka kw abonwa." Uyu munyavyaha arikw arapfa, yamaze kwanka ubuntu n'urukundo vy'Imana akiri muzima, ubu ntashobora kwumva amajambo meza y'Imana ahumuriza, yamar' akwiye kwumva ijwi ry'Umucamanza wiwe, rivuga, riti Mva i ruhande, mwa bivume mwe, muje mu muriro udashira wateguriwe wa Murwanizi n'abamarayika biwe. Mat. 25:41. "Abantu babikiwe gupfa rimwe, hanyuma yaho hakaza amateka." Abaheb. 9:27.

## IGISHUSHANYO CA CENDA

Hano tubona igishushanyo cerekana umuntu w'Imana w'ukuri ageragezwa cane n'ivyo Satani amuzanira, yamar' aranesha. Ibigerageza biva ku mpande zose, yamar' arihangana gushitsa kw iherezo. Arushishwaho kunesha na Yesu Kristo; ubu si ho agitangura gusiganwa mu vy'Ubukristo, ariko, arikw araheza, "atumbereye Yesu wenyene, ni we nyanduruko yo kwizera kandi ni we yagusozereye." Abaheb. 12:1-2.

Satani, bo n'abiwe bose barakikiza umutima w'uwizeye, bagerageza kubona uburyo bgo kwinjira, yamara nta vyo bashobora. Ubgishime, ubukunzi bg'amahera, ugusambana, vyose birakomanga ku rugi. Mu gishingo c'imbga n'ingwe tubona impfizi y'impene n'indogobe, kuko kenshi icaha ciyoberanya ngo kiboneke ukundi. Yamar' Umukristo abaye maso, arabona neza kw ar' icaha, naho coza mu buryo bg'idini canke nk'umumarayika w'umuco, kukw Ijambo ry'Imana n'impwemu y'ukuri biri mu mutima wiwe bimurongora mu kuri kwose bikamufasha gutandukanya ivyiza n'ibibi. Hambavu y'ivyo bikoko har' umugabo arikw aratambira imbere yiwe afise igikombe c'inzoga amugerageza ngw aze kunywa no gutamba. Yamar' ivyo vyose nta co bimutwara, kuko yapfuye ku caha no ku vy' isi. Bimutera kurushaho kwegera Imana. Uwundi mugabo aramucumise imbugita. Ivyo vyerekana ingen' abatizera bo na bamwe ar' Abakristo kw izina gusa bamubabaza mu kumuvuga nabi no mu kumutwenga no mu kumwambika ibara no mu kumuhahiriza. Ariko yihumuriza mu majambo ya Yesu, ngo Namwe muzoba muhiriwe aho bazobatuka bakabahama

Copyright ANGP




**9. UMUTIMA UNESHEJE**

bakabarementaniriza ibibi vyose babampoye. Munezerwe, muhimbarwe, kukw impera zanyu ari nyinshi mw ijuru. Mat. 5:11,12.

Icaha, n'inyama bo na Satani birageragez uko bishoboye kwose gukura umuntu w'Imana mu rukundo rwayo. Yamar' arashobora kuvuga yizeye, ati Ni nde azodutandukanya n'urukundo rwa Kristo? Mbega n'amarushwa, canke n'ivyago, canke n'uguhamwa, canke n' inzara, canke n'ukwambara ubusa, canke n'ukuba mw irinde, canke n'inkota? Ariko mur' ivyo vyose turushishwaho kunesha n'uwadukunze. Abaroma 8:35-39. Amaze kwambara ibirwanishwa vyose vy' Imana ashobora guhagarara adatsinzwe mu misi mibi, kand' anesha ivy' inyama n'ibindi bigerageza vyose abishobozwa na Mpwemu Yera. Arazi ko Kristo, aba mu mutima wiwe, arusha cane Satani inkomezi, bo n'abiwe bose, kuk' ūri muri twebge, ni we Yesu, aruta ūri mu b'isi, ni we Satani. Yesu yanesheje Satani, n'icaha n'urupfu kandi kubgiwe natwe turarushishwaho kunesha, kandi turashobozwa gutsinda ngo duhabge igitsibo c'ubgiza.

Inyenyeri yerekana ijwi ryo mu mutima iboneka neza yaka neza. Umutima wiwe uruzuye Mpwemu Yera n'ukwizera. Umumarayika w'Imana, ari hejuru yiwe, amwibutsa amasezerano meza yasezeraniwe abatsinda bagashika kw iherezo. Ivyahishuwe 2:7,11,17,26; 3:5,13,21.

Isaho y'amafaranga irumuye yerekana yuko mu gutanga umutima wiwe yatanze amafaranga yiwe yose bo n'ivy' atunze vyose. Ntakigomba kwayisha ivyiwe ubuhumbu, arikw aratanga ikigira cumi, arashirako n'ayandi iy' abonye igikorwa c'Imana gikwiye gufashwa, arafasha aboro. Mu buryo bgose akoresha amafaranga yiwe ngw atere Imana icubahiro; ni nk'intama itanga ubgoya bgayo ngo nyeneyo abone kwunguka. Mur' uwo mutima tuhabona umutsima n'ifi. Ivyo vyerekana k'uwo muntu akunda ivyiza vyogira akamaro. Ntagomba inzoga n'ibindi bintu bimuhumanya canke vyonona umubiri wiwe. Ntanywa itabi kuko yibuka yuk' umubiri wiwe ar' urusengero

rw' Imana, agomba kuwutunganya neza rero. Umutima wiwe umeze nk'inzu yo gusengerwamwo, kand' akunda gukorana n'abandi bantu b'Imana mu rusengero ku musi w'Imana no mu bindi bihe, naho hoba har' imvura canke naho hoba ivyogomba kumubuza. Arakunda cane gusenga iy' ari kumwe n'abandi cank' iy'ar' i muhira wenyene. Imisi yose akunda gukoranya abo mu rugo rwiwe ngo basengere hamwe, kukw azi yuk' Umukristo adashobora kubaho adasenga, ni nk'ukw ifi idashobora kubaho itari mu mazi. Igitabo kizinguruwe cerekana kw akunda gusoma Ijambo ry'Imana no gushishikara gutahura no kwiga ivyanditswemwo. N'itara rimumurikira, n'inkota inesha umwansi, n'umutsima ugaburirwa umutima wiwe, n'amazi y'inshozo, n'icirore kimwereka ukw asa. Akunda cane kwikorera umusaraba, umwibutsa ko yabambanywe na Kristo akazukira ubugingo busha, bituma yama atumbera ibiri mw ijuru ibizokwamaho ibitabonwa n'amaso. Yaramaze kwitegura ngw az' abonane n'Imana, ameze nk'igiti gitewe hafi y'imigezi y'amazi, cama igihe caco, nk'ishami riri ku muzabibu ryama vyinshi. Urukundo rw'Imana rutunganye rwuzuye umutima wiwe bituma atagitinya urupfu. Zab. 1:1-3; Yoh. 15:1-14; 1 Yoh. 4:18-21.

Copyright ANGP

## IGISHUSHANYO CA CUMI

Yesu yavuze, ati Ni jewe kuzuka n'ubugingo. Unyizera n'iyo yoba yarapfuye, azobaho, kand' uriho wese anyizera, nta h'azokwigera apfa gushitsa ibihe bidashira. Yoh. 11:25-26. "Uwumva ijambo ryanje, akizera uwantumye, ni we afise ubugingo budashira, kandi ntazoshirwa mu rukinja, arikw aba avuye mu rupfu, ashitse mu bugingo." Yoh. 5:24. Urupfu ntirutera ubgoba abantu b'Imana, kuk' urupfu rumizwe n'intsinzi. "Wa rupfu we, intsinzi yawe iri hehe? Wa rupfu we, uruboyi rwawe ruri hehe? Arikw Imana ishimwe, iduha gutsinda kubg' Umwami wacu Yesu Kristo." 1 Ab'i Kor. 15:54-57.

Umuntu yamye akorera Imana ntatinya urupfu. Igihe ciwe iyo kigeze co kuva mur' iyi si, agenda afise umunezero



Copyright ANGP

10. IHEREZO RY'UMUNTU W'IMANA — ADUZWA N'UMUNEZERO

agashika mu nzu y'ibihe bidashira Yesu yamuteguriye. Paulo yavuze, ati Nifuza gutaha ngo mbane na Kristo, kukw ari co kirushirije cane. Abafil. 1:23. Umuntu w'Imana afise inkumbu zo kubonana na Yesu imbonankubone, umwe yamupfira akamucungurisha amaraso yiwe. Mpwemu Yera amwibutsa amajambo ya Yesu igihe yavuga, ati Ntimuhagharike imitima yanyu, mwizere Imana, nanje munyizere. I muhira kwa Data har' amazu menshi, nzogaruka kubajana i wanje ngw aho ndi namwe abe ari ho muba. Yoh. 14:1-14. "Ivy' ijisho ritigeze kubona, n'ivy' ugutwi kutigeze kwumva, ibitigeze kwinjira mu mutima w'umuntu, vyose Imana yavyiteguriye abayikunda." 1 Ab'i Kor. 2:9. Nta majambo ariho mw isi ashobora gusobanura neza canke kudonda neza ivyiza vyo mw ijuru biteguriwe abizera Yesu Kristo, abazotsinda ngaha mw isi.

Mur' iki gishushanyo ca cumi twibutswa uk' umuntu yizeye Kristo ataha i wabo mw ijuru. Mu gishingo c'urukanka twabonye mu kindi gishushanyo, hano tuhabona umumarayika w'Imana. Ararorereye kujana umutima w'ukijijwe mw ijuru. Impwemu y'uwo muntu yiyambura umubiri ikaduga mw ijuru ngw ishike kur' Uwo yamye akunda, uwamubeshejeho ngaha mw isi, uwabaye kumwe na we mu gihe co gupfa. Imana izomuha ikaze. Umwami wiwe azomubgira, ati Wagize neza, muntu wanje mwiza wo kwizigirwa. Injira mu munezero wa shobuja. Mat. 25:21. Satani nta co agishobora kumugira. "Urupfu rw'abakunzi biwe n'urw' igiciro mu nyonga z'Uhoraho." Zab. 116:15. "Numva ijwi rivuye mw ijuru rimbgira, rit' Uhereye none hahirwa abapfa bapfira mu Mwami. Kandi Mpwemu aravuga, at' Ego me, ngo baruhuke ubutame bgabo, kukw ibikorwa vyabo bijana na bo bibakurikiye." Ivyahishuwe 14:13.

Musomyi w'iki gitabo, Imana igufashe guha Yesu umutima wawe, kuko yavuze, ati "Mwana wanje, mpa umutima wawe." Azoguha umutima wera agushiremw' umutima uhamye. Ntiwemere k'umutima wawe uguhenda ng' ukujane mu kwifuza kubi, "kuk' uwizigira umutima wiwe ubgiwe aba ar' igipfu." Imigani 28:26. N'uhebe ivyaha vyawe wimatanye

Copyright AMGP

n'ukugororoka, "kukw ingero z'icaha ar' urupfu; arikw ingabire y'Imana n'ubugingo budashira, bubonerwa muri Kristo Yesu Umwami wacu." Abaroma 6:23.

Mwebge mumaze kwitanga ku Mana, gumya icitegererezo c'amagambo mazima, mu kwizera no mu rukundo ruri muri Kristo Yesu, kuk' uzi uwo wizeye, kand' uzi udakekeranya yukw ashobora kuzigama ikibitsanyo wamubikije gushitsa kuri wa musi. Mwiyubake ku kwizera kwanyu kwera cane, musengere muri Mpwemu Yera, mwizigamire mu rukundo rw'Imana, mwiteze imbabazi z'Umwami wacu Yesu Kristo zibashitsa ku bugingo budashira.

"Ariko, Ishobora kubazigama ngo ntimutsitare, no kubahagarika imbere y'ubgiza bgayo mudafise agasembga munezerewe cane, ni yo Mana imwe yonyene, Umukiza wacu yadukirishije Yesu Kristo Umwami wacu, ubgiza n'icubahiro n'inganji n'ububasha bibe ivyayo, uhereye kera hose, na bugingo n'ubu, ugashitsa ibihe bidashira. Amen." Yuda 24,25.

Har' igihugu ciza cane,
Twasezeraniwe n'Imana;
Tukirorere twizigiye,
Kuko Data yakitweretse.

Tuzoririmbira mw ijuru
Indirimbo z'abahiriwe,
Ntituzongera kubabara
Tuzoba dushiz' amarira.

Aheza mw ijuru,
Tuzohurirayo bagenzi.

Copyright ANGP

**A SPECIAL WORD FROM ANGP**

**UN MONDE SPÉCIAL DE L'ANGP**

**UMA PALAVRA ESPECIAL DA ANGP**

**This booklet "The Heart of Man" is available in over 538 languages and dialects spoken throughout the world (Africa, Asia, The Far East, South America, Europe, etc.) Our Heart Book is now also available on cell phones, tablets, etc from www.angp-hb.co.za or as an APP "Heart of Man" on Android phones.**

**Le livre du "Coeur de l'homme" peut etre obtenu en plus de 538 langues et dialectes parles dans le monde entier, a savoir: Afrique, Amerique, Asie, Extreme Orient, Europe. Notre Livre du Coeur est maintenant aussi disponible sur votre Telephone cellular, plaques, etc. de www.angp-hb.co.za ou comme une Application "Heart of Man" sur telephones Android.**

Copyright ANGP

**Este livro "O Coracao do Homem" e obtfdo em mais de 538 linguas e dialectos falados em todo o mundo, a saber: (Africa, Asia, America do Sul, Extremo Oriente, Europa, etc). O nosso Livro O Coração do Homem tambem esta agora disponivel em telefone celular, tablets, etc. de www.angp-hb.co.za ou como um aplicativo "Heart of Man" nos telephones celulares Android.**

**The 10 heart pictures contained in this booklet are also available in the form of large coloured picture charts (86 x 61cm) bound together in a set of 10 pictures. These "Heart Charts" can be obtained with European or African features and are particularly suitable to be used in conjunction with the Heart Book for class-teaching, open air evangelization etc. Kindly contact us to ascertain the latest subsidized price of this chart.**

**Les 10 images du coeur qui figurent dans ce livre peuvent etre obtenues en tableaux de couleur, format 86 x 61 cm, avec des physionomies europeennes ou africaines. Ils peuvent etre utilises en meme temps que le livre du coeur pour des classes bibliques, a**

l'ecole du dimanche ou lors de reunions de plein air. Soyez aimable de nous contacter pour assurer les derniers prix en cours du tableau.

As 10 imagens do coracao, contidas neste livro podem ser obtidas num conjunto de 10 imagens em colorido no tamanho de (86 x 61 cm). Estes "Cartazes do Coracao podem ser obtfdos com caracterfsticas Europeias e Africanas e podem ser usados em conjuncao com o mesmo livro em classes de ensino biblico, evangelizacao ou ao ar livre. Agradeciamos que nos contacta- se para confirmacao do ultimo preco dos cartazes.



Copyright ANGP

Kindly write to us if you are able to assist us with further translations of our free Gospel literature, informing us of the language into which you could translate this Gospel literature. Your assistance would be appreciated.

If you have found salvation in Christ, or have been otherwise blessed through our Gospel literature, please let us know. We would like to thank God with you, and remember you further in our prayers.

Nous vous invitons a nous contacter pour faire des arrangements concernant de nouvelles traductions de notre litterature, nous informant de la langue dans laquelle vous pouvez traduire cette litterature evangelique. Votre aide sera beaucoup appreciee.

Si vous avez trouve le salut en Christ ou si vous avez ete beni par notre litterature, nous vous prions de nous le faire savoir. Nous aimerions remercier Dieu avec vous et prier pour vous.

Nos vos convidamos a nos contactar, afim de fazer qualquer arranjo concernente a novas traducoes de nossa literatura em outras Ifnguas. Vossa assistencia sera muito apreciavel.

Se tem encontrado a salvacao em Cristo, ou se tem sido abencoado por intermedio da nossa literatura evangelica, faca o favor de nos

informar. Pois nos gostarfamos de agradecer a Deus juntamente convosco, e lembra-lo sempre em nossas oracoes.

For free Gospel literature, books and tracts in over 538 languages, write to:

Pour obtenir gratuitement de la litterature evangelique, des livres et des traites en plus de 538 langues, ecrivez a:

Para obter gratuftamente a literatura evangelica, livros e folhetos em mais de 538 lfnguas diferentes escreva para:

E-MAIL: info@angp-hb.co.za
info@angp.co.za

**ALL NATIONS GOSPEL PUBLISHERS**
**P.O. Box 2191**
**PRETORIA**
**0001**
**R.S.A.**

Copyright ANGP

A Gospel Literature Mission financed by donations
Une Mission de litterature evangelique financee de dons
Missao de literatura Evanqelica financiada por donativos

(Reg. No. 1961/001798/08)